# COOPERATIVE VILLAGE BERIKIVI

**ICEGERANYO C'INAMA IDASANZWE YATUNGANIJWE KW'IGENEKEREZO RYA 24/10/2025**

- Abitavye inama : Ijana na mirongo ine na batatu (**143**)

- Ivyaganiriweko: 1. **UBUZIMA BWA** COOPERATIVE **« Village BERIKIVI»;**
  2. **UBUTUNZI;**
  3. **URWADIKO RWO GUTANGIMIHOHO RWATANZWE N'UWURONGOYE URWEGO NSHINGWABIKORWA RWA COOPERATIVE « VILLAGE BERIKIVI »**
  4. **UTUNTU N'UTUNDI.**

Inama idasanzwe y'abanywanyi ba **Cooperative « Village BERIKIVI »** yabereye mu kigo c'ishure rikuru ry'Igihugu ryigisha ivy'intwaro (ENA) igenekerezo rya 24/10/2025, isaha umunani n' iminota mirongo ine n'itatu (14 h43). Yatangujwe n'igisabisho co gukenguruka no kwiragiza Imana. Hakurikiye ijambo ryo kwakira abari aho bose ry'umuyobozi mukuru arongoye ico kigo ENA.

Uwurongoye urwego Nshingwantwaro, NIYIGABA Phénias, niwe yararongoye iyo nama idasanzwe ya bose. Afashe ijambo yereka abari aho igitigiri gisabwa n'amategeko kugira inama nk'iyo idasanzwe ikorane. Ariko yisunze ibihe, ivyo abanywanyi basaba, afatiye kandi kuvyapfunditswe n'inzego zitatu zaheruka gukorana zitegura iyo nama yaremeje ko inama ibandanya. Yarakengurukiye abitavye iyo nama bose aremeza ko inzego zose uko ari zitatu bakorana muri rusangi. Yabandanije aca ku mayange ivyo bategekanije kuyagako nkuko bivuzwe aho hejuru. Agirako abereka uwegeranya ivyiyumviro baganira, aca amusaba guhaguruka aramutse abar' aho. Aca ababaza ko bamwemeje baca bamukomera amashi inama ica iratangura.

1. UBUZIMA BWA COOPERATIVE « VILLAGE BERIKIVI ».

Uwurongoye urwego nshingwantwaro, NIYIGABA Phénias yabanje gushikiriza uko ishirahamwe ryavutse n'ibimaze gukorwa aratubwirako abanywanyi rifise bangana n'amajana atandatu na cumi na babiri (612) kandi ko intumbero y'ishirahamwe ko ari ugushira inguvu hamwe, kwegeranya uburyo bwofasha abanywanyi kuronka umutahe fatiro, maze bashike k'umugambi wo kwiyubakira uburaro n'iyindi migambi mperekeza mw'iterambere (amashure, ibitaro, amazu ya mukerarugendo…).

- ***IVYARANGUWE***
- Yarasiguye ingene uwo mugambi ushigikiwe na Leta y'Uburundi, biciye m'Ubushikiranganji bw'inyubako n'uburaro.Yarasomye inzandiko zibiri . Urwandiko rumwe rwanditswe n'urwego Nshingwantwaro rwa COOPERATIVE **«VILLAGE BERIKIVI »** kw'igenekerezo rya *13 Munyonyo 2024*, rusaba kuronswa ikibanza corangurirwamwo uyo mugambi, rwarungitswe k'umushikiranganji araba ivy' inyubako n'uburaro bwiza.Urundi rukaba ari inyishu y'ubwo bushikiranganji bw'ivyinyubako n'uburaro bwiza, rwo kw'igenekerezo *rya 03 Kigarama 2024.* Aho , inyishu yemera gushigikira uyo mugambi rutomora ko abakozi b'ubwo bushikiranganji bari kukivi kugira ikibanza kiboneke.

Yarongeyeko ko ico kibanza gishobora kuzoboneka mu karere ka Kabezi (nkuko umushikiranganji yahahora akaba n'imboneza yigeze kubisigura) ariko ko haracari intambamyi kuko aho ari mu matongo y' abenegihugu.

Muntumbero yo gushira mu ngiro uyo mugambi uwurongoye urwego nshingwantwaro yaramenyesheje ko huguruwe ikonti zibiri mw'ibanki BHB **inomero 20101091585** (Compte Courant), n'inomero **20401091585** (compte Epargne)

Haruguruwe n'agashami kizo konti (sous-compte) inomero **n°20401091585** (compte Epargne). Ako gashami k'ikonti kugurujwe kuberako hari umushigikiramugambi azwi kw'izina rya **HABONAYO Boniface.Uyo** yashimye gushigikira uyo mugambi mu atanze uburyo bw'amafaranga angana imiriyaridi zitatu z'amarundi (3 000 000 000). Kugeza kuri uy'umubagwa akaba amaze gushirako amafaranga angana imiliyoni amajana indwi (700 000 000). Ayo mafaranga azofasha Abanywanyi ba COOPERATIVE **«VILLAGE BERIKIVI »** nk'ingwati (fonds de garantie) kugirango bazoronswe ideni ritubutse. Ariko umutahe n'inyungu zitanzwe na Banki kuri ayo ma faranga nyene, biguma ar'ivya nyene kuyatanga. Aremera kandi kuduza ico gitigiri uko ibanki itanga ingurane y'uburaro izobisaba.

Eka mbere hararonse n'abandi banyamahanga bemeye gushigikira uwo mugambi mwiza baturuka mu

gihugu ca COTE D'IVOIRE.

Yarabandanije arasigura ko amategeko nyubakiro hamwe na ngenderwako ya COOPERATIVE

« **VILLAGE BERIKIVI** » ko ahari kandi ko yubahiriza abanywanyi bose n'ivyabo.

**2. UBUTUNZI:** Ku bijanye n'ubutunzi uwurongoye urwego nshingwantwaro yaramenyesheje uko ikonti za COOPERATIVE « **VILLAGE BERIKIVI** » zifashe kugeza kw'igenekerezo rya 30/09/2025.

- **COMPTE- EPARGNE iri muri CRDB, inomero 0152802385500** iriko amafaranga angana imiriyoni cumi na zitandatu n'ibihumbi amajana abiri na mirongo indwi n' amajana indwi na mirongo itandatu n' icenda **(16.270 769Fbu)**;
- **COMPTE -COURANT iri muri BHB, inomero 2010 109 15 85** iriko amafaranga angana n'imiriyoni zitanu n'ibihumbi amajana umunani na mirongo indwi n' icenda (**5.879.000Fbu**) ;
- **COMPTE-EPARGNE iri muri BHB, inomero 20401091585** iriko amafaranga angana n'imiriyoni mirongo itanu n'icenda n'ibihumbi ijana na mirongo ine n'umunani **(59.148.000Fbu)**
- **SOUS-COMPTE** inomero **n°20401091585, iri muri BHB,** iriko imiriyoni amajana indwi (**700 000 000 Fbu**) y'umwe yavuzwe aho hejuru.

  ***INTAMBAMYI:*** intambamyi kuri uwo mugambi uwurongoye urwego nshingwantwaro yaramenyesheje ko itongo ritaraboneka, uburyo buke, urwego nshingwabikorwa runyoganyoga.

3. URWADIKO RWO GUTANGIMIHOHO RWATANZWE N'UWURONGOYE URWEGO NSHINGWABIKORWA

Uwurongoye urwego Nshingwantwaro yaragarutse ku gwandiko gwatanzwe ***n'uwurogoye urwengo Nshingwabikorwa rwa*** *COOPERATIVE* « **VILLAGE BERIKIVI** » yaramenyesheje abitavye inama ko yamurungikiye ugwandiko gwo kubangira kugira abanze ashikirize raporo y'ibikogwa vya Cooperative nk' ***n'uwurogoye urwengo Nshingwabikorwa.***

Kuri ico kibazo uwurongoye inama, yasavye Umupfasoni **Caritas NZEYIMANA** gusigura ido n'ido icatumye atanga imihoho. Yarisiguye, avuga ko afise amakenga kuvyerekeye agashami k' konti y'uwo mushigikiramugambi yitwa **HABONAYO Boniface** kugurujwe Kandi atabimenyeshejwe nk'uwurongoye ugwego Nshingwabikorwa. Akanagiriza umwe mubo bafadikanije muri Komite, yitwa **Déo NSHIMIRIMANA** ko atamubwiye ko bojana kuyugurura. Arahakana akarengwa ko ataziyisinyako, Yaciye amenyesha abari aho ko asezeye atakiri muri COOPERATIVE « **VILLAGE BERIKIVI** ».

Munsiguro kuri ayo makenga y'umupfasoni arongoye ugwego nshingwabikorwa, **Déo NSHIMIRIMANA**, ntiyatevye kubitangako umuco. Yasiguye ko yatumwe n'Umushiranganji yahahora akaba n'imboneza muri uyo mugambi. Yongera avuga ko Umararongoye Ubushikiranganji yamuhamagaye amutuma ko yoja kugururuza iyo konti muri BHB mu ntumbero yo guha inguvu umugambi kandi vyarihutirwa ; kubera ko uwo mushigikiramugambi yarafise urugendo mu mahanga ; yipfuza kugenda ashizeko amafraranga kugira yerekane isemo nkuko yabibemereye. Akerekana ko yagamburutse ahubwo umupfosoni **Caritas NZEYIMANA** nawe ko yogamburuka agatanga umwidondoro n'ibisabwa kuri iyo konti. Ico rero n'intambamyi kuko kugeza kuri iryo sango nta « **HISTORIQUE** » canke ikintu cerekana ivyakozwe kuri ayo ma konti y'ishirahamwe ibanki ishobora kuturonsa. Niyo mvo yatumye bataronka uburenganzira bwokubona amafranga ari ku makonti yose, igihe bagenda mw'ibanki BHB,igenekerezo rya 23 Gitugutu 2025.

Uwurongoye urwego rw' Abasuzumyi ariwe **NIZIGIIMANA Louis-Désiré**, yaciye afata ijambo arahumuriza abanywanyi ariko ashikiriza akababaro ko adafise ibiharuro fatitiro vy'ukuri abwira ababwira. Arongera atera akamo asaba uwo mupfasoni ko yogira akigoro kugira haboneke ico bofatirako mu gushikiriza ibiharuro vy'urugero rw'amafranga ari kuma konti za COOPERATIVE « **VILLAGE BERIKIVI** ». Yasavye abari aho ko botanga ivyiyumviro, anerekana ko uyo mugambi usa n'uwunigiwe mu menshi, akanawugereranya n'inkoko ibundikiriye igi ryapfuye.

Uwurongoye inama yahaye akanya umwe mubari m'urwego Nshingwabikorwa nk'umwe mu vyabona amusaba gushikiriza ivy'iyo'ikonti. **KANYAMBO Salomon** avuga kubijanye n'ingorane zabujije ko « **HISTORIQUE** » iboneka. Yahagurutse biboneka ko afise akababaro yerekana ko har'umuntu yoba ataruzuza ibisabwa n'ibanki nk' umwidondoro n'umukono ku ma konti yose ya COOPERTIVE « **VILLAGE BERIKIVI** ».

*Muri rusangi ivyiyumviro vyashikirijwe vyashimikira kugukura intambamyi canke inzitizi zituma hataboneka ibiharuro vy'urugero rw'umutungo w'abanywanyi.*

*Inama ica ihuriza kuri izi ngingo zikurikira :*

*A. Kubangira vy'imfatakibanza gukata intererano y'abanywanyi yahora ija ku makonti,*

*kuva igenekerezo rya 1 Munyonyo 2025.*

*B. Nta muntu n'umwe ari mu nzego za COOPERATIVE «**VILLAGE BERIKIVI**», arekuriwe kuvamwo canke gutanga imihoho.*

*C. Abashira ibikumu ku ma konti ya COOPERATIVE « **VILLAGE BERIKIVI** » aribo : **NZEYIMANA Caritas, KANYABO Salomon, IRAKOZE Liliane hamwe na NSHIMIRIMANA Déo** basabwe kuja mw'ibanki BHB gutunganya ibisabwa vyose kugira **HISTORIQUE iboneke,** hatarenze igenekerezo rya 29/10/2025.*

*D. Abanywanyi ba COOPERATIVE «**VILLAGE BERIKIVI** » basabwe kudakwiragiza*

*inkuru n'amabanga cane cane ivyavugiwe muri iyo nama ku mbuga ngurukana bumenyi.*

4. **MU TUNTU N'UTUNDI**:

Uwurongoye inama yaramenyesheje abar'aho ko iyo nama yateguwe yongera imenyeshwa Umushikiranganji w'akazi n'abakozi no gutegekaniriza kazoza mu gwandiko yarungikiwe n' uwurongoye urwego Nshingwantwaro .

Hari isaha cumi n'imwe n' iminota mirongo itatu n'itanu (17h35), igihe uwararongoye iyo nama yayisozera, yemereye kandi ahumuriza abanyanyi ko bogenda baremye, vuba bazobatumako, nabo bagasabwa kuzokwitaba inama izotegurwa inyuma y'isango ya 29 Munyonyo 2025, habonetse ibiharuro mfatiro vy'ukuri. Hakurikiye igisabisho co gusozera.

**UWAFASHE ICEGERANYO**

**GAPFUNDO JOSEPH**